Epargne = Développement

DUNDUMENEKE YARI UMWIGEME W'IMYAKA CUMI N'ITANDATU (16), UMUYABAGA YIYUMVA UBUTO KANDI AKUNDA UBUZIMA BWOROSHE.

BOSE BAMWITA DUNDA.

YAKUNDA KWAMBARA UDUHUZU TUMUBUMBA, AKARYOHERA IJISHO ABAHITA. HARI AGATELEFONE KAGEZWEHO, YABA YAKARONSE. WAMENGA AJA KWITORERA MURI "USINE". NAHO ATASIBA ISHURE, DUNDA NTIYAKUNDA KWIGA RWOSE. YAMA YARERETSE ISAHA YO GUTAHA. ASOHOTSE, INZIRA YARI IMWE, IMINSI YOSE: KU KIYAGA GUFATA AKAYAGA. HAR'AHO YIJANA, HAR'AHO YAJANA N'ABAGENZI...

UBWO BUZIMA ARABUBAMWO AKINA ASUBIRA. UKO ARONSE AMAHERA NTAMURAGAME MU NTOKE. VYARATEVYE, AGIRA IMANA, MUVYARAWE, **JENDERI**, ARAMWEGERA AMUTERA ICIYUMVIRO CO **KUZIGANYA** KUGIRA NGO ARYE AHARURA, KANDI ABIKIRE KAZOZA. VYOSE NI UKWIGA!...
MBEGA, AZOBISHOBORA?.....





UKO YAMUVUGISHA NI KO UWUNDI YAMUTERA IMIRAGWE. DUNDA, WE, NTIYABONA ARAVUYE MUHIRA NGO ASUBIRE KUDEMADEMA ARI KUMWE NABAGENZI BIWE.....

MU GITONDO, DUNDA AHITANYE BITESE, MUVYARAWE NGO BAGENDE KWISHULE. AMWEREKA AGATELEFONE...

AHUBWO... APREM, URAZA TUJANE... NDAKWEREKE ISOKO!

ISHULE NTIRIHEZE, NGABO BARAFATANYE...
PAK!


BIKINGA AMASO Y'ABAHITA, BARIKORA. INGOHE BARATONDESHA, BONGERA BAHIGANWA MU GUTEREKA AMASO... BAHEJEJE KWICA IMANZI, BAFATA AKAYIRA....
?...

NGO BASHIKE KURI GARAGE BITA "NI TOP", MASSAK'S NGO ABABONE AGATIMA KATI.....
STATION NI TOP
URAZI INGENE MUBEREWE...
OYAAA!... NDINDIRA. TUGENDE GUFATA AKAYAGA
HWA
24000
ESSENCE
PETROL
SIVYO NYENE!... POWA !!!...

SI DUNDA SI BITESA NTA N'UMWE YABONYE INGENE BWIJE. BATASHE BINYEGEJE. MUGABO NTICABUZA KO BUKEYE NA BUKEYE BUNDI BASUBIRAYO KENSHI NA KENSHI... BARATEBA BACIKA IRANGO MU KIBANO, BABATUMA URUTOKE.



JENDERI AGAHINDA KARI KARAMWISHE, KWUMVA IGIHUGU COSE KIGENDA KIRAVUMA MUVYARAWE. ARAHEBA ARITA... ARAMWIYEGEREZA.....

?!

?!...

DUNDA, GARUKA HANO GATO!... HUUU... EE!! INGUTIYA...! BASEKA BATIKWIJE. NDABONA KO WIHEBEYE IBIGEZWEKO!!

EEE, WARI JENDERI! SINARI NAKUBONYE. KO MBONA WIYAMBITSE INGUTIYA!...

MBISA! BA URIKWEGA MURI IZO SANDALES Z'ABABIKIRA!

UTAMBESHA!!! NAWE HARURA UBUTUNZI WAHONEJE! "PAMAWARD".... IBIHUMBI 20, "COIFFE"... IBIHUMBI 5, "ISHENETE"... NTA N'AYO NZI! HUMUKA! EGERA ABANDI. GENDA WIGE KUZIGANYA! UZIGANYE URONKE AMIKORO: KURYA, IMPANUKA, KAZOZA... KUZIGANYA NTIBISABA ABAYAFISE GUSA. ISOROSORO RIGWIRA IYO RIJA!

DUNDA AKUBISE AKAGERE.
ARIKO YIGIYE IMBERE ARAHAGARARA YIRABA KU MAGURU ATONDESHA INOTI ZIRI KURI WE...
AGATIMA MPEMBERO KARAKUBITA...

SHENETE... 25.000 IBIRATO... 30.000 VERNIS... 5.000

HARAGEZE! HARAGEZE. ICUGU CIYUBURE, UBUGUGU NSEZERE!

NGIYE GUFATA ITUMBERO, NZIGANYE!

AFATIRA KU KARORERO K'UMUKOBWA BABANYE KERA, YITWA ZAINA. YAHORA ARIMA IRENGARENGA N'INTORE AGACA AZISHORA. ARATERA IMBERE GUSHIKA AHO AGEZE KURAGUZA IBITOKE. IMODOKA IKABIKURA RUGURU IKABITURA MUKIBANDA CIWE KW'ISOKO.

DUNDA ACA ABONA KO NA WE ASHOBORA GUSHIKA KU MUGAMBI WA KURE.....

NKO MU MYAKA 5 IRI IMBERE NZUGURURA "BOUTIQUE" NDANDAZE IBIRATO, AMASACOSHI, AMAJIPO, AMASHATI... HARIMWO IKASHI!!!

AHUBWO NYENE?... VYA BIRATO!... NAHO NDABIKUNDA... NGIRA NDABIRYEEEEE!!! NDONKE MAKE, NTANGURE KUZIGANYA

AGACA ABIGENZA NK'UKO AVYIUMVIRIYE.
AGURISHA "DUNDUMENEKE";
VYA BIRATO VYARI VYARAMUCIYE WAHIBA.

!!

AMAHERA 10.000 ASHIRA KUMUFUKO, ARATAHA....

NGO ASHIKE MUHIRA ATANGURA KWIVUGA AMAZINA

EWEEE DA...
UBU URASHITSE?!
UBUKENE URASEZEYE?!..

SUBIRA MUNTUKE! UBU... MFISE UMUGAMBI! NGAYA! NZIGANYE EJO IJANA RIVYARE IBIHUMBI!!

NONE...? IZO ZIBIKA NTIZARI AMAGI?!

YA MAHERA ACA AJA KUYABIKA MUSI Y'UMUDO, ARATEKEREZA. NTA MINSI YAHEZE...


AYO MAHERA ARI BUMUTERANYE. MURUMUNAWE KADIMA YACA HIRYA NGO... NYINA YACA HINO NGO... NTA PETERORI... UMUNYU..., UDUHARAGE... KANDI NTURAKE!.. AGAKENEWE KOSE BAHAMAGARA DUNDA, ARATEBA ARAREMERWA...
NA BUZE IYO NTA UMUTWE! AHO NATANGIYE AMAHERA... SINDAVYEMERA... MWIMENYE KUVA UBU... NSHAKA KUZIGANYA... NGURA IGITENGE CIZA "WAJIJU" NZOKWAMBARA KU BUKWE BWA BITESA..
NDASHONJE... NGURIRA IGITUMBURA..., IFANTA!.. NGURIRA... NGURIRA....
Hiii...!
Hiii...
MFFF...!
MFFF...!
!?
NAWE GUMYA...! EWEEEE BITENGE... NTUCEKO!

Mw'ijoro, aja kuryama ishavu riniga, biranka n'uko atora agatiro.
!...
?...

Dunda atangura kumuyagira ingene aziganya bikanka. Yaba nyina, yaba kadima, akabuze kose bikora mu mudo wiwe.
Jenderi.. Mambo... ni sawaaa.. N'imbata nazo ni idiri?!...

Bukeye, yaburaniwe, afata inzira atazi iyo agiye... Aza abona atuye kwa muvyarawe Jenderi, mu rugo rwuzuya imbata. Aba "boss" bacanacanako mu kuzigura...!

Aho nyene ubwiwe yashaka utuntu twishi dusaba amafaranga: amavuta, igitenge, udu "top", itelefone, amaunite... Uko avuga, Jenderi yandika atondesha ingene dunda akoresha amahera...


Bigera ahantu, jenderi biranka...
Oya, oya... Ibihumbi bibiri ku ndwi mw'itelefone??? Ngo ushaka itelefone zibiri?! Uradandaza? Ikindi naco... Ni kuki ubika mu mudo?
Na nini! Mu kuziganya, bamwe bakina ikirimba, abandi baja hamwe bakarondera isandugu ryugara. Mu kuyasohora bahana imbu. Ukayasaba ugeze gukora umugambi!
None...! Hari ingorane?!...

Bidatevye, Dunda yinjira mw'ishirahamwe ryigisha kuziganya.
Twige Kuziganya
?!


Uko bahura ku ndwi ku ndwi, umwe wese agatanga 300 FBU. Baracudika gutinda baraba n'abagenzi basangira vyinshi.

Dunda arwajije nyina, yikoze kuri rya sandugu. Vyongeye bagenzi biwe baramusuhuza.

N'ukuri iryo rishirahamwe ryaramunezera cane. Hariho ubudasa bunini na hamwe yahora aziganya mu mudo. Ni naco gituma, iyo bari mu nama, we yamana iciyumviro co gucungera isandugu ryabo. Umunsi umwe yiketse umuntu, arakekeranya. Yabona Agatwe kigikoko kaguma karunguka kongera kanyika...

!?

Haheze imisi ivyo yari yiketse birashika. Dunda akura ibirato ataruka rimwe; hafi kumurya...

PAAA!

Burofa..!! Wari uzi ngo imari?? Ehe, ikinonko..! Nta n'ay'isabuni wri gutoramwo. Amahera yacu... ari muri "Securite". Ubimenye..!! Aho niho vyugariye!...!!

Dunda n'abagenziwe batashe, baciye mw'ikartie babona abana biruka inyuma y'umuduga ugenda usemerera. Barahagarara barumviriza

Shika muri banki...! Ibuka kazoza kawe... **ZIGANYA AHADATA HIZIGIWE!**

BOUTIQUE

BANKI

ZIGANYA

Sivyo nyene..!!

Walaiii!!!

Tweho kuki?...

Tubike muri coffre fort! Dushitse mw'ibanki ka gahungu koca he! Eheeee!!!

ZIGANYA

ZIGANYA

ZIGANYA

Nike Foundation

MICROFINANCE OPPORTUNITIES

Programme Empowerment des Enfants

care Projet Ishaka

Rédaction et illustration de l'équipe StylemaQ Services: Françoise Sebatigita - Joséphine Ndimira - Ajax Nzeyimana - Bujumbura - BURUNDI - stylemaqservices@yahoo.fr